www.kidworship.kr

# Mose III (Ikiyaga gitukura)

- 16th Story -



107Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Urugendo rurerure rwa Mose n'abisirayeli baja mu gihugu c'i Kanani rumaze gutangura. Imana ibarongora mu bugaragwa bubashikana ku kiyaga gitukura. Ku murango, Imana yarabarinda izuba n'igicu hanyuma mw'ijoro ikababoneshereza n'inkingi z'umuriro. |
| Abantu | Uhoraho ashimwe kuko aturinda! |
| Uwuvuga | Abantu barateba barashikira ikiyaga gitukura. Mose abarira abantu kubaka amahema bakarara ngaho. Abantu bararuhuka hanyuma bakurikirana n'ibitungwa vyabo. |

---



108Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Muri uwo mwanya, Farawo yicuza icatumye arekura abisirayeli. |
| Farawo | Nari nataye umutwe. Ninde azorima ko ata bisirayeli basigaye? Dukeneye kubagarukana. Bakurikire vyihuta mubagarukane basubire kutubera abaja! |
| Uwuvuga | Amafarasi ya Farawo, imikogote, abagendera ku mafarasi hamwe n'ingabo nyinshi bakurikira abisirayeli mu bugaragwa. |

---



109Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Abisirayeli aho bari bacumbitse imbere y'ikiyaga baruhutse, babona ingabo z'abanyegiputa zibasugereje bagira ubwoba. |
| Umugore | Kuki mwatuzanye gupfira mu bugaragwa? |
| Umugabo | Vyari kutubera vyiza gukorera abanyegiputa ha gupfira muri ubu bugaragwa!!! |
| Uwuvuga | Abantu barajugumira babonye ingabo z'abanyegiputa hanyuma bidogera Mose. Mose arababarira. |
| Mose | Ntimugire ubwoba, Uhoraho aradutabara.. |
| Uwuvuga | Abanyegiputa bari bagira babashikire. |

---



110Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Uhoraho abarira Mose. |
| Uhoraho | Mose, rongora abantu banje ubajabutse ikiyaga! Fata inkoni yawe uramvure ukuboko kwawe hejuru y'ikiyaga utandukanye amazi kugira ngo abisirayeli bace mu kiyaga ku rusi rwumye. |

| | |
|---|---|
| **Uwuvuga** | **Mose abigenza uko Uhoraho yabimubariye. Afata inkoni yiwe ayiramvura hejuru y'ikiyaga. Agikoze ivyo, haza umuyaga mwinshi utandukanya amazi usiga mu kiyaga isi yumye. Amazi atandukanamwo kabiri ahinduka uruhome, hanyuma abantu bashobora guca hagati y'izo mpome ku rusi rwumye.** |
| **Abantu** | **Raba amazi yitandukanijemwo kabiri!** |
| **Uwuvuga** | **Banezerwe cane, abantu batangura gutambuka mu kiyaga. Abisirayeli bose bajabuka ikiyaga impore.** |



111Page

**..........................................................................................................................**

| | |
|---|---|
| **Uwuvuga** | **Haheze akanya ingabo z'abanyegiputa zinjirara mu kiyaga ngo zijabuke .** |
| **Uhoraho** | **Ramvura ukuboko kwawe hejuru y'ikiyaga.** |
| **Uwuvuga** | **Mose abigenza gutyo ,araheza aramvura ukuboko hejuru y'ikiyaga. Abikoze, amazi aca asubira guterana. Ingabo z'abanyegiputa zigerageza guhunga amazi ariko Imana iteza amazi gutwara ingabo z'abanyegiputa hamwe n'imikogote n'abagendera ku mafarasi.** |
| **Abantu** | **Yooo! Mana uri Rugiravyose!** |
| **Uwuvuga** | **Abisirayeli bose bahimbaza Uhoraho. Bongera bizera Uhoraho n'umusavyi wiwe Mose. Ni uko, Mose ahamagarirwa kurongora abisirayeli gushika i Kanani mu gihugu c'isezerano.** |